# Mu vy'ukuri, mu vyahanahanwe n'abantu bakabitahura mu majambo y'ivugishwamana ryo kuva kera na rindi, ni uko iyo utagira isoni uheza ugakora ivyo ushatse

Mu Vyakiriwe na Se wa Mas'uudi, Uqba mwene Amri Al-Answaariy yarwanye ku rugamba rwa Badiri (Imana Allah Imwishimire), yavuze ko Intumwa y'Imana (nyakugira amahoro n'impuhwe z'Imana Allah) yavuze iti: "Mu vy'ukuri, mu vyahanahanwe n'abantu bakabitahura mu majambo y'ivugishwamana ryo kuva kera na rindi, ni uko iyo utagira isoni uheza ugakora ivyo ushatse".
[صحيح] [رواه البخاري]

Umuvugishwamana (nyakugira amahoro n'impuhwe z'Imana Allah) yaratwiganiye ko mu vyakiriwe ku Bavugishwamana b'aho ha mbere, maze abantu bakabihanahana hagati yabo nk'iragi inyuma y'ikinjana ku kindi, gushika n'aho bishikira aba mbere mu bantu narungitsweko, n’uko woraba ukihweza neza ico ugomba gukora, ubonye nya kintu kiri mu bidateye isoni, ugaheza ukagikora; wabona kiri mu biteye isoni, ugashoka ukireka; kuko burya ikibuza umuntu gukora ibibi, ni ukuba afise isoni, uwudafise isoni rero nta co aba yinona, araheza akihebera ibibi vyose vy'agahomerabunwa.

https://sunnah.global/hadeeth/rn/show/66523

النجاة الخيرية
ALNAJAT CHARITY
لجنة الدعوة الإلكترونية
EDC E-Da'wah Committee